ADC-IKIBIRI

Alliance des Démocrates pour le Changement au Burundi

ITANGAZO RISHIKIRIJWE N'ABAKENYEZI BAHURIKIYE MURI ADC-IKIBIRI KUWA 21/06/2010

- Twihweje ibihe bihambaye igihigu cacu kirimwo, inyuma y'ivyavuye mu matora y' abajenema b'amakomine ;
- Twihweje ingene abajejwe kurongora Igihugu cacu hamwe n'umugrwi CENI bavyifatamwo ;
- Twihweje ingene ubuzima bw'abakenyezi batari bake,n'abandi barundi benshi badasangiye ivyiyumviro n'umugambwe uri kubutegetsi bubangamiwe ,ndetse n'ukwicwa bakicwa abandi bagatabwa mu mvuto ;
- Twihweje ingene inzego z'umutekano zikoreshwa n'ubutegetsi mu guhohotera ubuzima bw'abatavuga rumwe n'umugambwe uri ku butegetsi ;
- Twihweje ko umukuru w'Igihugu yategerezwa kuba Sebarundi,yishishikarira kwiyamamaza amaraso y'abarundi ariko araseseka, akigira sindabibazwa mbere agacanishamwo abenegihugu ;
- twihweje agacerere incuti n'abafasha uburundi barimwo ;

Dusavye ibi bikurikira:

1. Umukuru w'igihugu ahagarike imyiyamamazo mu maguru masha kugira hatorwe inyishu;

Adresse : ROHERO II, Avenue KUNKIKO n°46 ngevador@yahoo.fr Contacts : 257 22273369/79855807

2. Abashingantahe bahagararire igihugu,amaraso ya bene Barundi yoye gushishikara aseseka;
3. Abakenyezi bose bahaguruke biyamirize ubwicanyi banke kuguma bahekurwa;
4. Abajenwe umutekano birinde gukoreshwa na ba sesankuyoze;
5. Abakenyezi n'abo bose bafungiwe ivya politike bafungurwe ata gisabwe;
6. Turasavye abamenyeshamana,abamenyeshamakurun'abo base b'amashirahamwe adaharznira ivya politike bahaguruke biyamirize ako kabi kabishe;

Twagomba kandi twibutse abarongoye umurwi CENI ko amabi yose ariko arashikira igihugu ari kugatwe kabo.

Kubw'urunani rw'abakenyezi bahurikiye muri ADC-IKIBIRI

Umuvugizi

Rose KABURA

Adresse : ROHERO II, Avenue KUNKIKO n°46 ngevador@yahoo.fr Contacts : 257 22273369/79855807